Uwuzohura n'Imana Allah atigeze ayibangikanya n'ikintu na kimwe, azokwinjira mu Bwami bw'ijuru. Nayo uwuzohura na Yo yarayibangikanije, azokwinjira mu muriro udahera

Mu vyakiriwe na Jaabiri mwene Abdillaahi (Imana Allah Ibishimire bompi we na se), yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivuga iti: "Uwuzohura n'Imana Allah atigeze ayibangikanya n'ikintu na kimwe, azokwinjira mu Bwami bw'ijuru. Nayo uwuzohura na Yo yarayibangikanije, azokwinjira mu muriro udahera".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arerekana ko uwupfuye atabangikanya Imana Allah n'ikintu na kimwe, amaherezo yiwe ari mu Bwami bw'ijuru, n'aho yobanza guhanirwa bimwe mu vyaha vyiwe, n'uko uwupfuye ayibangikanya n'ikintu na kimwe, azoja mu muriro udahera ubutakivayo.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/3418